THEME : IVYEREKEYE IVYAHA BIKORERWA INGO N'IMIRYANGO N'IVYAHA BITEYE KUBIRI N'IMIGENZO MYIZA Y'IGIHUGU.
(source :code pénal burundais)

I. 1. Ivyerekeye uguta urugo

Ingingo ya 533, ivuga ko bahanishwa umunyororo utarenza amezi abiri n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 20 gushika ku mafaranga ibihumbi 50 canke igihano kimwe muri ivyo:

1. Serugo canke inarugo ataye urugo atamvo mu kiringo kirenza amezi abiri kandi agaca yiyonjorora mu vyo kuremesha umuryango canke kuwutunga kubera ari we afise ububasha bw'umuvyeyi canke ibanga ry'uburezi ryemewe n'amategeko. Ico kiringo c'amezi 2 ntikibandanya guharurwa iyo uwari yataye urugo arugarutsemwo akerekana ko ashaka kurugumamwo ubutacisubirako;
2. Uwubatse ahevye mu kiringo kirenga amezi abiri, ata mvo ikomeye afise,kugushaka kwiwe kandi yanse kubungabungauwo bubakanye no kumufasha nk'uko abubakanye babitegekwa n'ingingo ziri mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu;
3. Umugabo ataye n'impaka umugore wiwe mu kiringo kirenza amezi 2 azi neza ko afise imbanyi.
4. Se w'umwana canke nyina w'umwana, aba yaratswe ububasha bw'umuvyeyi canke atabwatswe, abangamiye amagara, umutekano indero y'abana biwe, yaba umwe canke benshi muri bo, mu kubafata nabi, mu kabaha akarorero kabi k'ukwama aborerwa imisi yose, canke yimonogoza mu kwigenza nabi, mu kubitaho canke mu kutabaha indero ikwiye.

Uwo wese yaciriwe urubanza rwo guha ibibeshaho uwo bubakanye, abamukomokako canke abo akomokako, urwo rubanza rukaba rwaciwe ubutagisubirwamwo na sentare, akaba arengeje amezi 2 ataco atanze n'ibigirankana, ahanishwa umunyororo uva ku mezi abiri gushika ku mezi 6, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 10 gushika ku mafaranga ibihumbi 50, canke igihano kimwe muri ivyo conyene. Ukutariha ivyo sentare yashinze, vyitwa ko vyagizwe ku gushaka gushika vyerekanywe ko hari imvo zabitumye. Uwutabirishe kubera asanzwe yigenza nabi, ari umunebwe, imborerwa canke

kubera imigambi yihaye kurangura, sentare imaze guca urubanza ntivyigera biba imvo yemewe y'ukutabitanga.

Ncuti bagenzi namwe mweseturi kumwe muri kino kiganiro, aka gahimba ka kabiri k'ivyerekeye ivyaha vyo guhemukira umuryango mu guta urugo, kakaba kagizwe n'ingingo 2 kuva ku ya 533 gushika ku ya 534, zirerekana neza ko Serugo na Inarugo bategerezwa kubungabunga urugo, hamwe n'ibibondo bibarutse. Umwe muri bo, ataranguye amabanga ajejwe, izi ngigo zirerekana neza ibihano aheza agahabwa, igihe sentare imaze kwerekana icaha cakozwe n'uwo cagira.

Urugo rero rutegerezwa gutwarwa mu bwitonzi ntangere, ata gikenye. Nico gituma tugira turabire hamwe ivyerekeye ibihano igitabo mpanavyaha c'Uburundi categekanirije uwo wese bigaragaye ko akoresha igikenye mu rugo.

I. 2. Ivyerekeye ugukoresha igikenye.

Ivyerekeye ibihano bihabwa uwagiriwe n'icaha co gukoresha igikenye mu rugo, tubisanga mu ngingo zo kuva ku ya 535 gushika ku ngingo ya 537.

Uwo wese afata bunyamaswa uwo bubakanye, umwana wiwe canke uwundi muntu wese babana mu nzu, ahanishwa umunyororo uva ku myaka 3 gushika ku myaka 5 n'ihadabu ry'amafaranga ibihumbi 50.

Ibi bihano biragaragaza yuko abubakanye bategerezwa kwubahana, bakumvikana bakirinda ico cose gihonyanga agateka k'umwe muri bo,kandi bagategerezwa kubungabungana hamwe no gufashanya muri vyose. Uwo wese ahatiye umugore gusama imbanyi no kuyitwara gushika ivuke, ahanishwa umunyororo uva ku myaka 3 gushika ku myaka 5. Ahanishwa ivyo bihano nyene uwuhatira umugore gukorora inda atabishaka.

Nkuko tubisanga mu ngingo ya 537 ya kino gitabo mpanavyaha c'Uburundi, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka 2, uwo wese yirukanye mu nzu uwo bubakanye, umwana wiwe canke uwundi muntu wese areze adafise uburyo bwo kwibeshaho.
Izi ngingo uko ari zibiri, zihurira ku mwumvikano utegerezwa kuba mu rugo. Ingingo ya 536, itubwira ingene umugambi wo kurondera ikibondo hagati y'abubakanye, utegerezwa kwumvikanwa ko na bose. Iratwareka kandi ko kizira kikaziririzwa ko umushingantahe kanaka ahatira umukenyezi wiwe gutwara canke gukorora inda. Uwubikoze, twabonye ibihano yategekanirijwe.

I. 3. Ivyerekeye ivyaha bityoza imigenzo myiza y'igihugu.

NKuko ingingo 538 ibivuga , ubusambanyi ni uguhuza ibitsina mu ntumbero yo kunezereza uwundi kandi bikaba umwuga.

Uwo wese atyoje imigenzo myiza arondera gufasha uwushaka gusambana mu gukabura, kworohereza canke gutuma uwundi muntu, aba umugabo canke umugore, afise imyaka y'amavuka irenga 21 canke asa n'uwuyirenza, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka gushika ku myaka 5 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku mafaranga ibihumbi 200.

Ico gihano kiraduzwa kuva ku myaka 5 gushika ku myaka 10 iyo uwakorewe icaha adashikana imyaka 21 y'amavuka canke asa n'uwutayishikana.
Imyaka y'abo bantu ishobora kumenyekana bapimwe na muganga iyo ata kindi kibaranga.
Ingingo ya 540, ivuga ko ibihano bitegekanijwe mu gahimba ka mbere k'ingingo ya 539 (umunyororo uva ku mwaka gushika ku myaka 5 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku mafaranga ibihumbi 200), bihabwa:

1° uwo wese aha akazi canke akwegeye mubusambanyi uwundi muntu afise imyaka itegetswe kugira yemezwe ko akuze canke uwutayishikana n'aho yoba yavyemeye;
2° uwo wese atunze umuntu afise imyaka itegetswe kugira yemezwe ko akuze canke uwutarayishikana kugira amusambanye, n'aho yoba yavyemeye.

Uwo wese akoresheje iterabwoba, agahato, uguhendahenda canke ubundi buryo bwose, abereye intambanyi igikorwa co gukingiraabakora ivyo vyaha, co gufasha, canke cotuma abakora ivyo vyaha bigarura, kikaba kirikokirakorwa n'amashirahamwe abishoboye afasha abantu bihebeye gusambana canke bari mu gutwarwan'ubusambanyi, kugira ngo bigarure, ahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu gushika ku myaka 5 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku mafaranga ibihumbi 200.

Uwo wese atwara, atunganya canke atanga n'impaka amafaranga yo gushigikira ahakorerwa ubusambanyi canke akaba ari mu batanga ayo mafaranga, akaba abigira we nyene ubwiwe canke akoresheje uwundi muntu, ahanishwa umunyororo uva ku myaka 2 gushika ku myaka 5, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 100 gushika kumuriyoni.

Nkuko tubisanga mu ngingo ya 543, umuntu wese agabuye mu buryo ubwo ari bwo bwose ibivuye mu mwuga w'ubusambanyi n'uwundi muntu afise imyaka itegetswe kugira ngo yemezwe ko akuze canke atarashikana iyo myaka ,n'aho yoba yavyemeye, canke aronka imfashanyo ahawe n'umuntu yihebeye umwuga w'ubusambanyi, ahanishwa umunyororo uva ko mwaka umwe gushika ku myaka 5, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 20 gushika ku mafaranga ibihumbi 200.

Umuntu wese afasha, ashigikira canke akingira n'impaka mu buryo ubwo ari bwo bwose uwugira umwuga w'ubusambanyi canke akwegera abandi mu mwuga w'ubusambanyi, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka 1 gushika ku myaka 10 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 20 gushika ku bihumbi 50.
Ibi bihano duhejeje kubadondagurira, bihabwa kandi umuntu wese akora akazi k'umuranzi, abitumwe n'ico arico cose, hagati y'abantu bihebeye umwuga w'ubusambanyi n'abawukuramwo inyungu canke abahemba abawukora.

Ingingo ya 546 ya kino gitabo mpanavyaha ivuga ko, uwo wese apangishije canke apanga abizi, inzu yose canke igice cayo uko imeze kwose, kugira abandi bahakorere umwuga w'ubusambanyi, ahanishwa umunyororo uva ku myaka 2 gushika ku myaka 5 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku muriyoni canke igihano kimwe muri ivyo conyene.

Ibihano tubadondaguriye biri mu ngingo ya 546 ya kino gitabo mpanavyaha, bigwizwa na kabiri igihe mu rubanza habonetse imwe mu nyongerezakibi(uburyo icaha kiba cakozwemwo) zikurikira:

1° iyo icaha cakorewe umwana atarashikana imyaka 18;
2° iyo nyene gukorerwa icaha atabishaka;
3° iyo icaha cakorewe umuntu asanzwe atishoboye kubera imyaka yiwe, ingwara afise, ubumuga, amagara make canke bizwi n'uwakoze icaha;
4° iyo icaha cakozwe n'abantu benshi n'abo bafadikanije canke abafashije.
5° iyo nyene gukora icaha yakoresheje urwenge, iterabwoba, igikenye.
6° iyo icaha cakozwe n'umuntu uwakorewe icaha akomokako;
7° iyo icaha cakozwe n'umuntu afise ububasha k'uwagikorewe.
8° iyo nyene gukora icaha asanzwe ari umukozi wo mu nzu y'uwagikorewe.
9° iyo nyene gukora icaha ari umukozi wa reta canke ari umukuru mw'idini;

Ingingo ya 548, ivuga ko ugukwegakwegera abandi mu mwuga w'ubusambanyi bivugwa ku muntu yagize ubusambanyi umwuga, yiyegereza abantu ku mugaragaro akoresheje uburyo bwose kugira abakwegere mu mwuga w'ubusambanyi.
Umuntu wese yagiriwe n'ico caha,ahanishwa umunyororo uva ku kwezi kumwe gushika ku mezi 6, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 5 gushika ku mafaranga ibihumbi 20 canke igihano kimwe muri ivyo.
Icaha c'ugukurako urupfasoni ari ico cose kijanye n'ubushurashuzi giteye kubiri n'imigenzo myiza y'abarundi kigiriwe umuntu n'impaka.

Icaha c'ugukura urupfasoni ku muntu, gifatwa nk'uko camaze gukorwa mu gihe hari ivyerekana ko gitanguye gukorwa.
Icaha c'ugukura urupfasoni cakozwe hadakoreshejwe igikenye, urwenge canke iterabwoba, ku mugabo canke ku mugore, gihanishwa umunyororo uva ku mezi 6 gushika ku myaka 2 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 20 gushika ku mafaranga ibihumbi 50.

Ingingo ya 551 iza ishimangira ivyo twariko turabayagira kuko ivuga ko, icaha c'ugukura urupfasoni umuntu hakoreshejwe igikenye, urwenge canke iterabwoba ku mugabo canke ku mugore, gihanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe

gushika ku myaka 5, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku mafaranga ibihumbi 100.

Icaha c'ugukura urupfasoni ku umwana canke igikoreshejwe afise imyaka 18 canke asa n'uwutarayishikana, n'iyo hatakoreshejwe igikenye, urwenge, canke iterabwoba, gihanishwa umunyororo uva ku myaka 5 gushika ku myaka 15 n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku bihumbi 200.

Imyaka y'uwo mwana imenyekana ipimwe na muganga iyo ata bindi afise bimuranga. Iyo icaha c'ugukurako urupfasoni cakozwe hakoreshejwe igikenye, urwenge canke iterabwobaumunyororo ushirwa ku myaka iva kuri 5 gushika ku myaka 20.

Ingingo ya 553, ivuga ko ibihano duhejeje kudondagura , bigwizwa na 2 mu gihe:

1. Icaha cakozwe n'umuntu wo mu muryango w'uwakorewe icaha
2. Icaha cakozwe n'umuntu afise ububasha k'uwakorewe icaha umukoresha canke murezi
3. Icaha cakozwe n'umuntu yitwaje ikibanza arimwo: twotanga akarorero k'uwokora ico caha yitwaje ngo n'umutegetsi mu gisirikare canke mu gipolisi.

II. UGUSOZERA

Ncuti bagenzi namwe mwese mwaduhaye umwanya wanyu mukatwumviriza, tubibutse ko twariko turabira hamwe igice ca mbere c'ivyerekeye ivyaha bikorerwa ingo n'imiryango n'ivyaha biteye kubiri n'imigenzo myiza y'igihugu aho twisunze ibiri mw'ibwirizwa inomero 1/05 ryo ku wa 22 ndamukiza 2009 rihindura igitabu c'amategeko mpanavyaha, kuva ku ngingo ya 533, gushika ku ngingo ya 553.

Twabonye muri kino kiganiro ko Uwo wese yaciriwe urubanza rwo guha ibibeshaho uwo bubakanye, abamukomokako canke abo akomokako, urwo rubanza rukaba rwaciwe ubutagisubirwamwo na sentare, akaba arengeje amezi 2 ataco atanze n'ibigirankana, ahanishwa umunyororo uva ku mezi abiri gushika ku

mezi 6, n’ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 10 gushika ku mafaranga ibihumbi 50, canke igihano kimwe muri ivyo conyene.

IKindi twabonye nuko ukutariha ivyo sentare yashinze, vyitwa ko vyagizwe ku gushaka gushika vyerekanywe ko hari imvo zabitumye. Uwutabirishe kubera asanzwe yigenza nabi, ari umunebwe, imborerwa canke kubera imigambi yihaye kurangura,twabonye ko sentare imaze guca urubanza bitigera biba imvo yemewe y’ukutabitanga.

Dusozereye ikiganiro cacu tubonye ko icaha c’ugukura urupfasoni ku muntu, gifatwa nk’uko camaze gukorwa mu gihe hari ivyerekana ko gitanguye gukorwa.

Icaha c’ugukura urupfasoni cakozwe hadakoreshejwe igikenye, urwenge canke iterabwoba, ku mugabo canke ku mugore, gihanishwa umunyororo uva ku mezi 6 gushika ku myaka 2 n’ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 20 gushika ku mafaranga ibihumbi 50.